BURUNDIAN DIASPORA OF QUEENSLAND INC
12A / 44 Reserve Road
Slack Creek Qld 4127
Tel: 0470 556 541
ABN: 56848376629
e-mail: bdiqeensland@gmail.com

Itangazo No:003BDC-02/09/2018 rigenewe abarundi batuye muri Queensland

Ishirahamwe ry'Abarundi baba hanze ryo muri Queensland-Australia (Burundian Diaspora of Queensland Inc) ryifuje kumenyesha abanywanyi baryo n'abandi bose basanzwe barifata mu mugongo ko riheruka kuronswa infashanyo ingana n' amafaranga 16000 vy'amadolari y'amanya Australiya .

Iyi nfashanyo ikaba yatanzwe na Leta ya Queensland mu gushigikira ibikorwa vy'Ishirahamwe BDQ Inc na cane cane umugambi waryo wo kwigisha Abarundi batuye muri Queensland umwuga wo gushona no gufungura isoko ridandaza impuzu ndangakaranga z' Uburundi canke afrika (Burundi fashion design shop).

Kubifuza kuzogira uruhare urwarirwo rwose m'uruyu mugambi hoba, kubifuza kwiga umwuga, guterera, canke gusaba izindi nsiguro, boca ku Mupfasoni **Sylvie Niyonsaba No: 0421139177** yagenywe n'Inama yabagize urwego nyobozi kuba Umuhuzabikorwa ajejwe ishirwa mungiro ry'uyu mugambi.

Murakoze
Urwego nyobozi rw'Ishirahamwe BDQ Inc